# Amabwirizwa y'umugambi BEGAP

## Incamake y'umugambi

Ikigo ca Vermont gishinzwe ubudandaji, iterambere n'ikibano kinezerejwe no kumenyesha ishirwaho ry'umugambi wo gufasha ubudanadaji bwihuta (BEGAP). Uwu mugambi w'imfashanyo w'imiriyoni 20 z'amadorari ugenewe ubudandaji n'amashirahamwe adaharanira inyungu yononywe n'umwuzure. Guhera kuwa 7 Mukakaro 2023. Uwu mugambi ntutegekanijwe gukiza umuntu uwo ariwe wese ariko washizweho kugira utange ubutabazi bwihuse bwo gufasha amashirahamwe gusubira gukora no gusubiza ku kazi abakozi bayo vuba bishoboka. Gusaba bizokwemerwa hisunzwe uburyo bubandanya kugeza igihe amahera yose akoreshwe.

***Nimba utavuga icongereza kandi ukaba ukeneye ubufasha bw'umusobanuzi, usabwe kuvugana n'abakozi ba ACCD*** (***ACCD.BizFloodGrant@Vermont.Gov*) *kugira baguhuze n'abakozi ba leta batanga serevise zo guhindura no gusobanura indimi.***

## **Abemerewe gusaba:** Ubudandaji n'amashirahamwe adaharanira inyungu yagize ingorane ziboneka mu gihe c'umwuzure kuva mu kwezi kwa Mukakaro 2023.

**Kugira ngo wemererwe, uwusaba ategerezwa kuba ari umudanadaza canke ishirahamwe ridaharanira inyungu rikwije ibi bikurikira:**

- Ryatangujwe imbere y'umwuzure wo mu kwezi kwa Mukakaro 2023
- Ibintu vyononekaye biboneka bitegerezwa kuba biri i Vermont
- Ahantu ibidanadazwa bikorerwa na/ canke ibigize ibidandazwa bitegerezwa kuba ari ibintu vyononywe kuva umwuzure wo mu kwezi kwa Mukakaro 2023 ubaye
- Mu ntumbero y'imfashanyo ya BEGAP, ibiboneka vyononekaye harimwo amazu, ubukode bw'inzu, ibikoresho, amamashine, n'ibikoresho.
- Ishaka gusubira kwugurura ahantu hamwe canke ahandi muri Vermont kandi izokoresha amahera y'imfashanyo kuri iyi ntumbero.

**Ibi bikurikira ntivyemewe:**

- Amakomine
- Ubudandaji canke amashirahamwe adaharaniira inyungu yagize ingorane z'ubutunzi gusa (yagize uruhombo rw'amahera)

## Ingene iyo mfashanyo izoharurwa

BEGAP izofasha abasaba kuronka igice c'ivyononekaye **<u>vyos</u>e bitarishwe**. Ivyononekaye vyose bitarishwe n'ivyononekaye hamaze gukurwamwo ubwishingizi, imizibukiro y'inyongera n'imfashanyo.

Ku basaba bafise munsi y'amadorari 1,000,000 ku vyononekaye vyose:

- Munsi ya 20% y'ivyononekaye vyose canke amadorari 20.000

Ku basaba bafise ivyononekaye birenza amadorari 1,000,000 ku vyononekaye:

- Imfashanyo iharurwa munsi ya 20% y'ivyononekaye canke
- Amadorari 100,000 nimba uwusaba akoresha hagati ya FTEs* 1 na 10
- Amadorari 250,000 nimba uwusaba akoresha hagati ya FTEs 11 na 50
- Amadorari 500,000 nimba uwusaba akoresha FTEs zirenga 50

Uwusaba ashobora kurungika ubusabe bugera kuri butatu ku bintu bitatu bitandukanye.

Abasaba barungika ibisabo ku bintu birenga kimwe ku vyononekaye birenza amadorari 1,000,000 bemerewe gusa imfashanyo yongerejwe (irenza amadorari 20,000) ku wusaba umwe.

*FTEs ni igitigiri c'abakozi bwite bari i Vermont imbere y'umwuzure

## Amakuru y'uwusaba

Abasaba bose bazosabwa gutanga amakuru akurikira. Abasaba bategerezwa kwitegurira gutanga:

- Inomero zo kumuhamagarako
- Aho ibintu vyononekaye biri hamwe na benevyo
- Inomero yo kurihirako ikori (FEIN)
- Amakuru yerekeye amategeko y'ubwishingizi
- Igitigiri c'amadorari ategekanijwe kwishura ivyononywe biciye mu bwishingizi
- Izindi mfashanyo canke impano zakiriwe kandi zitegekanijwe kugira zisubize canke kwongera kwugurura ubudandaji.
- Insiguro z'ingaruka z'umwuzure ku wusaba
- Ubwoko bw'ivyononekaye no kugereranya uburyo bwo gusanura/gusubiriza
- Ukugereranya no gusigura ugucumbagira k'ubutunzi (uruhombo rw'amahera rwabaye imbere canke nyarwo)

## Impapuro zisabwa:

- Amakori aheruka gutangwa (canke 990)
- Kwandika inyungu n'uruhombo nimba urudandazwa rwatanguye muri 2023
- Ifishe IRS W-9 yasubiwemwo
- Inyandiko zerekana ivyononekaye vyamenyeshejwe (raporo z'abahinga mu bwishingizi, ikigereranyo c'umudandaza)
- Ukugereranya isanurwa ry'inyubako zononekaye, ibikoresho, guharura, ivyaguzwe canke ibimaze kurihwa
- Amashusho y'ibintu vyononekaye (bitari munsi ya 5)
- Ivyerekana mwenevyo (nimba bishoboka)

## Ibindi vyisungwa

- Amadosiye adakwije ivyangobwa azosubizwa abayatanze kugira bayasubiremwo kandi kwigwa kwavyo bizoca biwara uwundi mwanya.